Australian Government

Department of Immigration and Citizenship

Inyigisho zerekeye abimukira muri Australiya

Form

994i KIR

KIRUNDI

Turagukeje kugira ube wiyumviriye kwimukira muri Australiya. Tuguhaye kaze kandi twizeye ko uzogira ubuzima bwiza mu gihugu cawe gishasha.

Izi nyandiko n'incamake mu bintu utegerezwa gutegekanya igihe witegurira ubuzima busha muri Australiya kandi ziraboneka kuri website y'Ubushikiranganji bujejwe uruja n'uruza n'ubwenegihugu (Ubushikiranganji) mu congereza no mu ndimi 37 aha kwirikira **www.immi.gov.au/allforms/languages/languages_num.htm**. Ku bimuka benshi inkuru zambere zerekeye Australiya bazihabwa n'incuti, abagenzi canke abandi baba muri Australiya. Izindi nkuru zose ushobora kuronka imbere y'uko ushika muri Australiya zizogufasha mu buryo bwo kuhamenyera.

Insinguro za Website bita *Living in Australia* Y'Ubushikiranganji uzisanga ahakwirira: **www.immi.gov.au/living-in-australia/** kandi iratanga inyigisho zihagije kubijanye n'ukumenyera aho wimukiye kandi ikerekana ivyankenerwa abaheruka kwimuka bashobora kuronka.

Agatabo kitwa *Gutangura ubuzima bushasha muri Australiya* twanditse mu congereza no mu zindi ndimi z'amakominote 37. Karatanga inyigisho zitomoye ku mashirahamwe afasha abimuka bashasha n'abandi bimirije kwimuka, kandi mudusanga ahakwirikira **www.immi.gov.au/living-in-australia/settle-in-australia/beginning-life/**

Australiya, igihugu c'abantu bafise imico itandukanye

Australiya n'igihugu cakira neza abantu, kigizwe n'abantu bafise imico, ubwoko, indimi n'amadini bitandukanye. Abanya Australiya baturuka mu mihingo yose yo kwisi. Hafi ibice 44 kw'ijana (44%) bavukiye hanze canke bafise umwe mu bavyeyi yavukiye hanze.

Abanya Australiya bafise amadini atandukanye. Umuntu wese arafise uburenganzira bwokugumya imico yiwe no kuja mw'idini yifuza, mu giye yubahirije amategeko, kandi akagira icaterereye mu bandi banya Australiya. Mu minsi yambere, bizogora kumenyera ivyo bintu, ariko ur'umuntu yumvira kandi yubaha abandi, ategera ivyiyumviro vy'abandi n'imigenzo y'abandi, ntacokubuza kumenyera n'ukugira ubuzima bwiza.

Urwidegemvyo ufise muri Australiya ruzogira ico rukumariye hamwe umuntu wese yorangura neza ibimwega. Turizeye yuko utazohemukira Urwidegemvyo ufise muri Australiya ruzogira ico rukumariye hamwe umuntu wese yorangura neza ibimwega. Bagusavye ko utohemukira Australiya, ko uzoshigikira ukuntu twubahiriza intwaro rusangi yacu kandi ugafasha kugumya akaranga ku kwihanganira abandi, ukemera abandi kandi ntihagire uwurenganya. Mu bituranga harimwo, ukubahiriza amategeko, ukwidegemvya, ukwubahiriza ikiremwa muntu wese, ukwemeza ko abashingantahe n'abafasoni bangana, kwihangana, ukutarenganya, n'ukugirira imbabazi abobose bafise ingorane. Hari amategeko ya Leta nkuru y'Australiya, ay'intara, nay'akarere agwanya akarenganyo gahagaze ku bintu vyinshi (haba ubwoko, igitsina, ubumuga canke imyaka) canke muvyerekeye ubuzima bwa minsi yosi (haba mu kazi, mu mashule, uburaro, ibintu umuntu agura canke ivyerekeye Leta).

Icongereza nirwo rurumi rw'igihugu, naho havugwa indimi zirenga 260 muri Australiya, harimwo indimi z'abanyabutaka. Utavuga icongereza, tuguhanuye dushimitse kowocija mu maguru masha ugishika muri Australiya.Ushobora kuba wemerewe kwiga k'ubuntu biciye mu gisata bita "porogaramu y'icongereza c'abimuka bahumuye" (Adult Migrant English Programme (AMEP)). Kur'urupapuro rwa 5 urasangaho insiguro zitomoye zerekeye iyi porogaramu.

Igisata kiraba ibiguzi vy'injira mu gihugu (Customs and quarantine)

Ambasade ya Australiya irashobora kubamenyesha amategeko yerekeye ingene ibiguzi vy'injira muri Australiya. Izokumenyesha ivyo ushobora kwinjiza canke bibujijwe muri Australiya, amategeko ajanye n'ivyemerewe kwinjira vyo munzu canke ibikoko/ivyomoka ku bikoko; irakumenyesha kandi amatagisi atangwa mu kwinjiza ibintu. Mwifuza kumenya ibirengaho ja kuri www.customs.gov.au

Amafaranga n'amabanki

Imbere yuko ufata urugendo wotunganya amafaranga y'ingenzi (Traveller's cheques) canke ayandi mafaranga y'agaciro nk'amadolari y'amanyamerika canke amadolari y'amanya Australiya. Urashobora kuvunja amafaranga yo hanze mu manya Australiya ku bibuga bikuru vy'indege.

Abantu bakunda kubika amahera yabo muri banki canke mu yandi mashirahamwe yabigenewe. Wuguruje ububiko muri imwe murayo mashirahmwe mu kiringo c'amayinga 6 ugishika ukenera kwerekana gusa igitabo c'inzira cawe. Hashize amezi 6 uzokenera kwerekana ibindi vyangombwa vyinshi kugira w'uguruze ububiko.

Iyunguruza ry'abantu

Uzokenera kuronka umuduga ukwunguruza kuva ku kibuga c'indege gushika k'uburaro bwawe. Hariho amatagisi n'amabisi ku bibuga vy'indege bikuru vyose no kubindi bibuga vy'indege nka vyose.

Kugira ugendeshe imodoka muri Australiya utegerezwa kuba ufise urupapuro rwemewe. Uruhusha rwo kugendesha imodoka rwohanze barashobora kurwemera mu kiringo gitoyi. Wobariza mu bushikiranganji bwo kunguruza abantu bwo mu ntara ikwegereye kugira utohoze ingene uronka uruhusha rwo kugendesha imodoka.

Utubahiriza amategeko y'ugutwara umuduga urashobora kuriha ihadabu rikomeye canke mbere ukanafungwa. Amategeko yAustraliya arahambayeukubijanye n'abarenga ugutwara urenza urugero canke utwaza wanyoye inzoga. Amategeo arahana abatwara banyoye canke bafashe ibihenda ubwenge. Amategeko ya Australiya abwiriza uwo wese agendera mu muduga gukoresha umukaba wagenywe hamwe n'umukanda wagenewe abana.

Uburaro

Wifuza gukota/kugura inzu/igorofa, urashobora kuzironka uravye mu binyamakuru, kuri internet canke amashirahamwe araba ivy'amazu. Iyo utanguye gupanga, utegerezwa kenshi kuriha ingwati ingana n'ukwezi, hamwe n'amafaranga angana n'ukwezi kumwe uriha imbere. Uburaro muri Australiya burashobora kugora ironka kandi ugupanga birashobora kuzimba.

Amashule

Kuja kw'ishule n'itegeko ku bana bari hagati y'imyaka 5 na 15. Iyi myaka ishobora kuba itandukanye mu ntara zimwe. Utegerezwa kwandikisha umwana wawe mw'ishule hakirikare.

Hariho amashule y'ibiburamwaka ku bana bafise hagati y'imyaka 3 ni 5. Kenshi ayo mashule akora iminsi imwimwe kandi nta tegeko rigutuma gushirayo umwana wawe.

Ubushikiranganji bw'indero z'intara zizobaha inyishu mwifuza kuvyerekeye amashule yaho mwegereye. Igitabo ca telefone caho muba kirabafasha kumenya aho mwobariza ivyo mwifuza.

Kwirinda impanuka muri Australiya

Hari impanuka z'ukwirinda mu gihugu ico arico cose. Kwogera mu biyaga canke mu nzuzi birashobora gutera ingorane zikomeye canke mbere zigashobora no kwonona ubuzima. Ku kengera z'ibiyagautegerezwa kwogera hagati y'amabendera atukura n'ayumuhondo canke mbere ntiwoge.Kuroba mu mabuye yo mu kiyaga navyo nyene bikwega impanuka zikomeye.

Ishamba ry' Australiya rifize inzoka n'udukoko bikaze cane. Mu miji mikuru n'ukwama urikanuye iyo ubwije cane.

© COMMONWEALTH OF AUSTRALIA, 2011

Ingene ubaho muri Australiya

Ubuzima bwo muri Australiya burazimvye cane ubugereranije n'ibindi bihugu vyinshi.Birakenewe cane ko wotegekanya ingene uzobaho n'umuryango wawe mu nyaka 2 yambere ugishitse. Ntiwibaze ko uzoshika uronka akazi n'ingoga.

Kwimuka n'ikintu gisaba uburyo bwinshi.Bifata amafaranga menshi iyo umuntu afashe urugendo rwo muri Australiya, kwimukana utuntu two munzu, no gutunganya inzu ushikiyemwo.

Imfashanyo n'imirimo vya Centrelink

Leta ya Australia irafasha abantu kugira bigenge bonyene kandi igafasha abari mu ngorane biciye mu gisata bita Centrelink.

Inyigisho tugushikirije ngaha n'uguca kumayange gusa nico gituma utegerezwa gushikiriza ingorane zawe ibiro vya Centrelink bita "Centrelink Service Centres."

Urashobora gutora ibibanza vy'ibiro na telefone vya Centrelink mu gatabo k'amatelefone k'ubutegetsi bwaho uba. Urashobora guhamagara umukozi wa Centrelink kandi ukaronka inyishu ku bibazo vyawe mu rurimi rundi atari icongereza uhamagaye ku nomero131 202. Iki s'igisata co gusobanura mur'urundi rurimi. Iyo utelefonye kurizo nomero uriha amahera wotanze iyo uhamagariye ahariho hose muri Australiya. Telefone zo mugituro kirihisha canke zo mu maboko zishobora kurihishwa amafaranga menshi kuruta.

Centrelink irafise inyigisho zihagije zerekeye imirimo irangura n'imfashanyo itanga n'inzindi nkuru nyinshi zahinduwe mu zindi ndimi. Mukeneye izindi nyigisho ku nyandiko zasohotse zisiguwe mu zindi ndimi, hamagara ku nomero 131 202 canke ja kuri website www.centrelink.gov.au uje ahanditse "Turavuga ururimi rwawe" kuri website ya Centrelink.

Ukeneye kumenya vyinshi imbere y'ukuza muri Australiya ku mfashanyo zihabwa na Leta canke amasezerano Leta yagiraniye n'ibindi bihugu urashobora kuzironka ahakwirikira:

Website:	www.centrelink.gov.au
Kurungika amaketi:	Centrelink International Services GPO Box 273 HOBART TAS 7001 AUSTRALIA
Telefone:	131 673 (Ibiro vya Centrelink muri Australiya biraba ibindi bihugu) 131 202 (Mwifuza inkuru mu ndimi zindi atari icongereza) +613 6222 3455 (hanze ya Australiya) (**Mumenye**: Nimba wifuza guhamagara ibiro vya Centrelink bita "International Services" uri hanze ya Australiya, telefone ukoresha at'amafaranga utanze ziraboneka mu bihugu vyinshi. Muje kuri website ya Centrelink kugira mubone urutonde rwizo nomero)

Imfashanyo z'imiryango

Nta kiringo co kurindirizwa k'umfashanyo z'imiryango zifasha ibijanye no kurera abana.Abimuka na bonye barashobora guca bivuza biciye kuri "Medicare Australia".

Imfashanyo z'imiryango (Family Assistance services) ziraboneka mu biro vyose vya Medicare na Centrelink. Izindi nyigisho harimwo udutabo twanditse mu zindi ndimi zishobora kuboneka aha:

Website:	www.familyassist.gov.au
Telephone:	136 150 (in Australia) 131 202 (Mwifuza inkuru mu ndimi zindi atari icongereza)

Amarero y'abana bato n' ahandi barerera abana muzironka ahakwirikira:

Website:	www.mychild.gov.au
Telephone:	133 684 (in Australia)

Ikiringo co kurindirizwa c'umwimuka mushasha

Iyo uri umwimuka mushasha muri Australiya kenshi ntushobora kuca uronka buno nyene imfashanyo za Centrelink.

Kubera ukiri umwimuka mushasha, kenshi uzobanza kurindira amayinga 104 (Ikiringo co kurindirizwa c'umwimuka mushasha) imbere y'uko uronka imfashanyo nka zose n'ibindi bijanye nk'imfashanyo yo kurondera akazi (Newstart allowance) canke imfashanyo y'urwaruka (Youth Allowance).

Ikiringo cayo, ingene bayiharura, n'uburyo bayitanga bivana n'ingene washitse muri Australiya n'imfashanyo usaba. Igihe wamaze muri Australiya icari cose mu buzima bwawe nk'umwimuka aba muri Australia bazogishiramwo muguharura ikiringo co kurindirizwa.

Nimba waskikiwe n'ikiringo co kurindirizwa c'umwimuka mushasha n'ingombwa ko woshikira Centrelink buno nyene hamwe hoba hari icahindutse mu buzima bwawe, akarorero waronse umwana, wavuye mukazi canke ukarwara.

Ibintu bituma bataraba ikiringo co Kurindirizwa c' Umwimuka Mushasha

Hari ibintu vyinshi bituma bataraba Ikiringo co Kurindirizwa c'Umwimuka Mushasha harimwo kuba ufise ubwenegihugu bwa Australiya canke uri incuti y'uwufise ubwene gihugu bwa Australiya, umuntu yaje ku porogarama y'impunzi canke abafashwa k'ubuntu canke afise iviza zimwe zimwe.

Uri mu ngorane zidasanzwe kubera ibintu bihinduka cane bitavuye kuri wewe, urashobora kuronka Imfashanyo Idasanzwe (Special benefit). Kuva mu kazi canke kubura akazi ntibabifata mu bintu bihinduka cane.

Hari n'izindi mvo zituma abantu bamwe batabarabira ca kiringo co kurindirizwa ku bijanye n'imfashanyo zimwe. Wokwandikira Centrelink kugira urabe ko wemerewe kuri kutarindirizwa.

Ibituma wemerewe kuba bwite mu gihugu

Imfashanyo za pensiyo canke imfashanyo zimwe zimwe ntizifatwa n'Ikiringo co Kurindirizwa c'Umwimuka Mushasha, ariko zirafise ico bita "qualifying residence' requirements" (ibituma wemerewe kuba bwite mu gihugu):

1. Imfashanyo y'Umuryango n'Imfashanyo y'Umufakazi zifise igihe c'amayinga 104 co kurindirizwa.
2. Umwaka wo guhabwa pensiyo be na pensiyo yo gufasha ibimuga zifise igihe co kurindirizwa c'imyaka 10.

Hari ibituma bataraba ayo mategeko, akaroreo nk'iyo uri impunzi, canke ukamugara warashitse muri Australiya, canke ukaba uva mu gihugu gifitaniye amasezerano y'imibano hanyuma ayo masezerano akaba yaremeye kuriha izo mfashanyo usaba.

Abafise ubwenegihugu bwa New Zealand (batari abanya Australiya)

Abantu bashika muri Australiya bafse igitabo c'inzira ca New Zealand kenshi babaha iviza bisangije bita "Special Category Visa (SCV)" igihe bashitse. Abaronse ama viza SCV imbere y'itariki 26 z'ukwezi kwa kabiri 2001 babita "Protected SCV holders" (Abakingiwe). Abashitse muri Australiya inyuma y'itariki 26 z'ukwezi kwa kabiri 2001 bafatwa kenshi nka "Non-Protected" (Abadakingiwe).

Abafise visa SCV (Abakingiwe) bafatwa nkabemerewe kuba muri Australiya kandi barashobora kuronka imfashanyo nka zose kandi bakaba bakwijije ivyangombwa nk'akarorero amategeko amwamwe n'ibijanye n'ikiringo co kurindizwa.

Abafise ibitabo vy'inzira vya New Zealand babaye muri Austaliya igihe cose c' imyaka 10 kuva itariki 26 z'ukwezi kwa kabiri 2001 bakaba bafise ico bita non-protected SCV viza (abadikingiwe) barashobora kuronka rimwe gusa imfashanyo yabarondera akazi, imfashanyo y'ingwara canke imfashanyo y'urwaruka. Iyo bakwijije ivyangombwa, imfashanyo irashobora gutangwa mu kiringo kitarenga amezi 6 yikwirikiranya.

© COMMONWEALTH OF AUSTRALIA, 2011

Amasezerano y'imibano hagati ya Australiya na New Zealand arashobora gufashanya abanya New Zealand kuronka Imfashanyo ya pensiyo, imfashanyo ihabwa ibimuga canke imfashanyo y'abarezi.

Abafise ibitabo vy'inzira vya New Zealand baba muri Australiya barashobora kuronka amakarata yo kugabanirizwa ibiciro hamwe igihe co kurindirizwa cashitse kandi bakaronka n'imfashanyo y'Ibiro Bifasha I miryango (Family Assistance office).

Ingwati y'umuntu uhamagaje

Ingwati y'umuntu uhamagaje n'amasezerano yubahirizwa hagati y'umuntu aba muri Australiya canke ishirahamwe (Uwiyemeza gufasha uwundi) na Leta ya Australiya. Uwiyemeza gufasha uwundi yemera gufasha umwimuka (uwishinzwe) muri Australiya kugira uwishinzwe ntazera amaso ku mfashanyo za Centrelink. Ingwati y'umuntu uhamagaje irashobora kumara hagati y'imyaka 2 n'imyaka 10, bijanye n'ubwoko bwa viza waronse. Iyo wewe canke abantu wishinze baranse imfashanyo zimwe muri Centrelink bakiri kuri ya masezerano y' ingwati y'umuntu uhamgaje, uwiyemeje uwundi ategerezwa kuriha ayo mahera yose Leta.

Amagara

Leta Ya Australiya irafasha kubijanye n'amahera yo kwivuza, ugusuzumwa indwara z'amaso, amahera y'ibitaro biciye mu gisata bita "Medicare". Medicare irafasha mu kugufasha kwivuza k'ubuntu mu bitaro vya Leta ufashwe nk'umunywanyi wa (Medicare) kandi ikakuvuza k'ubuntu ku baganga bamwe harimwo abaganga basanzwe, abaganga b'abahinga, abaganga bamwe bamwe b'amaso, n'abaganga b'amenyo (ku bikorwa vyemerewe gusa). Iyo ushikije ikiringo bita "Medicare Safety Net", uzosanga kwivuza kwa muganga canke kwisuzumisha indwara bigusaba amahera make.

Wifuza kumenya ko ushobora kwemererwa Medicare canke ushobora kwiyandikisha muri Medicare, genda ku biro vya Medicare Australiya witwaje Pasiporo, ibitabo vy'inzira, na viza ntayegayezwa. Utararonka viza ntayegayezwa, uzotegerezwa kandi kwitegekanisha ivyo vyose vyerekana ko watanza impapuro zo gusaba iyo viza ntayegayezwa canke y'ukwimuka.

Abafise viza mfatakibanza nka bose ntibemerewe kwiyandikisha kuri Medicare, ariko hari abashobora kuronka iyo karata; nk'akarorero abo bose basavye iviza ntayegayezwa kandi bakwijije ivyangombwa. Vyiza wogendera ibiro vya Medicare yawe mu karere ubamwo kugira ubaze ko wemerewe. Ukwijije ivyangombwa uzoronka inomero yawe ya Medicare mfatakibanza uba urakoresha gushika uronke ikarata yawe mu mayinga atarenga 3. Kenshi uzokwirihira imiti hanyuma usubizwe imfashanyo ya Medicare .

Leta y'Australiya irafasha kandi ku bijanye n'imiti nka yose biciye mu gisata bita "Pharmaceutical Benefits Scheme (PBS)". Iyo ukenera imiti myinshi mu mwaka, "PBS Safety Net" irashobora kugufasha. Iyo umaze gushikana ico bita "PBS Safety Net", (wakoresheje imiti myinsi) hanyuma uwutwara imangazini y'imiti akaba yaraguhaye ikarata bita "PBS Safety Net Card", umuti wawe PBS uzoba uzimbutse canke uworonke kuri gusa ikiringo cose c'umwaka gisigaye. Iyo utoye izina ry'umuti rizimvye, canke muganga akaba yakwandikiye uwuzimvye, urashobora kuwugura menshi.

Medicare na PBS zegukira ico bita "Medicare Australia".

Medicare Australia niyo ishinzwe igisata cerekeye incandago z'abana (Australian Childhood Immunisation Register), igisata candika zose zahawe abana bari munsi y'imyaka 7. Ufise umwana ari munsi y'imyaka 7 gerageza uzane ivyemeza ko bacandazwe kugira ufashe muganga wawe wo muri Australiya kumenya ko incandago zabo zitarata igihe. Urutonde rw'incandago z'umwana wawe ruzotuma ukwirikiza amategeko asabwa y'incandago iyo wandikisha umwana wawe mw'ishule kandi ibi birasabwa imbere yuko uronka amafaranga y'ugufasha umuryango.

Medicare Australia niyo ishinzwe igisata cakira abifuza gutanga ibice vy'imibiri yabo arivyo bita "Australian Organ Donor Register (the Donor Register)". Abantu bafise imyaka irenga 16 barashobora kwiyandikisha gutanga ibice vy'imibiri yabo mu gitabo ca bigenewe bita "Donor Register". Kwiyandisha ku biro vya "Donor Register" ubigira ushatse kandi ugatora igice c'umubiri uzotanga. Abantu bafise ingwara zikomeye canke bari ku mpfiro, kuronka ibice bivuye k'umubiri w'uwundi birashobora kumukiza ubuzima.

Medicare Australia niyo kandi ijejwe ico bita "Medicare Teen Dental Plan" (umugambi wa Medicare ufasha imiyabaga). Uyo mugambi "Medicare Teen Dental Plan" urafasha urwaruka rubirekuriwe, rufise imyaka iri hagati ya 12 na 17, kuriha amahera y'umwaka yo kw'isuzumisha amenyo. Nimba uri mubemerewe, bazokurungikira ikete n'urupapuro rwagenywe. Isuzumwa ry'amenyo rishobora kuba ico bita "x-rays", kuvurwa bakoresheje ico bita "fluoride", impanuro z'imfungurwa zofatwa, hanyuma bakazibira aho hose amenyo yatobotse.

Medicare Australia irafise agatabo karimwo insiguro zikwiye kahinduwe mu ndimi zindi 19. Ako gatabo gafise insiguro zerekeye imigambi n'ibisata vya Medicare Australiya kandi igasigura ivya nkenerwa utegerezwa kuba ufise kugira uronke imfashanyo zikenewe. Ikopi yako gatabo uyisanga kuri website ya Medicare Australiya canke ku biro vya Medicare yaho wegereye.

Wifuza kumenya vyinshi kuri ibi:

Website:	www.medicareaustralia.gov.au	
E-mail:	info@medicareaustralia.gov.au	
Telefone:	132 011*	– Medicare
	1800 020 613**	– Pharmaceutical Benefits Scheme
	1800 653 809**	– Australian Childhood Immunisation Register
	1800 777 203**	– Australian Organ Donor Register
	1800 552 152**	– Abantu bibiragi
	131 450*	– igisata gihindura indimi mu zindi

Kurungika amaketi: Medicare Australia
GPO Box 9822
Ku mrwi mukuru w'intara yawe

Ibigega vy'abigenga bikingira amagara y'abantu

Abanya Australiya benshi n'abanywanyi b'ibigega vy'abigenga bikingira amagara y'bantu. Ivyo bigega birarihira amafaranga makeya canke ayo yose umurwayi aba yarishe mu bitaro vyigenga canke vya Leta, kandi igashobora kuriha bimwe Medicare itariha nk'ivyerekeye amenyo, amaso n'umuduga utwara abaremvye. Ufise imigambi yokuba umunywanyi wayo mashirahamwe akingira amagara y'abantu utegerezwa kuba utegera neza ibi bikwirikira:

1. Ico bita "The Private Health Insurance Rebate" - Uwoshobora kuronka ico bita "The Private Health Insurance" iyo wemerewe kuronka Medicare kandi ukaba ukwirikiza amategeko agenga amashirahamwe akingira amagara y'abantu haba mu bitaro canke ku ngwara zisanzwe (ikintu gito canke ibirenga) canke vyose.
2. Ico bita" Medicare Levy Surcharge"- Benshi mu banya Australiya batanga ikori barakatwa amahera mw'ikori bariha ryo guterera Medicare. Ico bita 'Medicare Levy Surcharge' n'ayandi mahera yongerako atangishwa abantu bafise umutungo urenze igititigiri cagenwe kandi bakaba batari abanywanyi b'abamashirahamwe yigenga y'integabizoza ku bijanye n'ibitaro. Uyo mutungo baraba ingana (mu mwaka wa 2011-2012) n'amadolari AUD80,000 k'umwaka ku bantu batagira abo bubakanye, akaba amadolari AUD160,000 ku bantu babiri bubatse canke ku miryango. Uyo mutungo barabirako uzosubirwamwo kira mwaka kugira bame bafatira ku m'ishahara igezweko.

* Utanga amafaranga yo kutelefone yo mu rugo|

** Utanga amafaranga arihwa ukoresheje itelefone yo mu ntoke canke yo hanze

© COMMONWEALTH OF AUSTRALIA, 2011

3. Uburyo bita “Lifetime Health Cover” - Uburyo bita “Lifetime Health Cover” (LHC) n’ayandi mafaranga batangisha abanywanyi b’ibigega bikingira abarwaye yongera ku yandi mafaranga asanzwe yo gufasha ku bijanye n’ibitaro. Kugira ntutange ayo mafaranga ajanye na LHC utegerezwa kuba umunywanyi w’ikigega gikingira abarwaye imbere y’itariki ryagenywe. Iryo genekerezo kenshi n’ itariki 1 y’ukwezi kw’indwi k’umuntu ashikanye inyamka 31, ariko kubera ur’umwimuka mushasha muri Australiya iryo genekerezo rya LHC rishobora kuzoba munyuma bijanye n’imyaka ufise igihe ushitse muri Australiya.

   Ubaye umunywanyi w’ishirahamwe rikingira amagara inyuma y’itariki ryagenywe, urashobora gutozwa amafaranga ya LHC-ibindi bice 2 kw’ijana (2%) urenza kuyo usanzwe utanga ku mwaka wose urenzeko baharuye igihe ushikanye imyaka irenga 30 kuva ubaye umunywanyi. Akarorero, urindiriye ugashikana imyaka 40, uzoriha ayandi mafaranga ahika ku bice 20 kw’ijana (20%) ku mahera buguciriye mu bitaro.

   Abimuka bashasha muri Australiya barengeje imyaka 31 nt’amafaranga arenga batanga iyo babaye abanywanyi b’ibigegega bikingira abarwayi mu kiringo c’amezi 12 kuva biyandikishije nk’abanywanyi buzuye ba Medicare. N’ibintu nkenerwa cane kuba umunywanyi w’ikigega gikingira amagara umwaka wa mbere umaze kuba umunywanyi wa Medicare. Hamwe worindira amezi arenga 12 wiyandikishije muri Medicare uzoshobora gutanga ayandi mafaranga ya LHC kuyo usanzwe utanga mu kigega gikingira amagara y’abarwayi. Ariko hamwe woba wari munsi y’imyaka 31 igihe washika muri Australiya amafaranga uzotanga kuri yo LHC azoba aricokimwe n’ay’abandi bose batanga (ayatangwa itariki 1 y’ukwezi kw’indwi ushikanye imyaka 31).

Wipfuza kumenya ibirenga kuvyerekeye ikigega gikingira amagara y’abantu woraba ahakwirikira:

Website: www.privatehealth.gov.au

Email: privatehealth@privatehealth.gov.au

Kurungika amaketi:
MDP 954
Department of Health and Ageing
GPO Box 9848
CANBERRA ACT 2601
AUSTRALIA

Akazi muri Australiya

Hari ihiganwa rikomeye iyo urondera akazi muri Australiya. Akazi muri Australiya gashimikiye ku bintu vy’ubutunzi, akazi karonderwa akariko n’ibindi bidasanzwe bijanye n’ingene akazi kaboneka mu ntara zitandukanye z’igihugu. **Kwemererwa kwimuka ntivyemeza ko uzoronka akazi,** no ku bemererwa kwimuka baravye ubukerebutsi n’ubwenge bwabo.

Dufatiye ku kwezi kwa gatanu 2011, bigaragaza ko abatagira akazi bangane n’ibice 4.9 kw’ijana (4.9%). Mu bimuka baturuka mu bihugu bivuga icongereza, abatagira akazi bangana 4.1 kw’ijana (4.1%), ariko abaturuka mu bindi bihugu bo bakaba bangana n’ibice 6.1 kw’ijana (6.1%). Bagereranya ko abadakora babimuka bashitse kuva muri 2006 bangana n’ibice 7.6 kw’ijana (7.6%). (ibiharuro vy’imvaho). Kenshi, abimuka baronse umwanya ukwiye wo kumenyera muri Australiya bafise ibice bito vy’abadakora. Nico kimwe no ku bimuka bemerewe bivuye ku buhinga bwabo, nabo bafise igice gitoyi c’abadakora ugereranije n’abandi baza mu bundi buryo.

Wifuza kurondera akazi wosoma ibinyamakuru vy’Australiya vyerekana ubuzi bwabonetse. Hari kandi n’izindi websites zerekeye kuronderera akazi abantu biciye kuri internet.

Imbere y’uko uja muri Australiya wobaza ko atavyangombwa bikenewe canke bisabwa ku kazi wimirije gukora. Ubuzi bwinshi bwo muri Australiya busaba ko uba ubifitiye uruhusha (licence) basaba mu ntara za Australiya, canke ukaba wemerewe kuba umunywanyi wuwo mwuga imbere y’uko ushobora gukora.

Wotahuza neza ukamenya ko ako kazi kawe gasaba uruhusha canke kuba umunywanyi w’ishirahamwe ribijejwe. Abo mwazananye wishinze nabo nyene bategerezwa gutahuza ivyo bibazo iyo bifuza gushika bakora canke naho ata migambi boba babifitiye.

Abimuka badafise akazi bategerezwa kwiyandikisha muri Centrelink mu maguru masha bagishitse. Kubera kenshi abimuka atamfashanyo baronka mu mayinga 104 bashobora kuronka amashirahamwe make ya Leta abafasha mu vyo kurondera akazi biciye mu vyo bita “Job Services Australia”. Ariko abimuka ntayegayezwa kandi bafise ivyangombwa bikwiye bashobora kuronka imfashanyo zikwiye muri vya bisata bijejwe kuronderera akazi abantu bita “Job Service Australiya”.

Wifuza kumenya ibijanye n’imigambi yerekeye akazi, uburyo bwo kurondera akazi, hamwe n’ibijanye n’impapuro z’ubumenyi woraba kuri website zikwirikira:

- Ico bita “Australian JobSearch” (ku vyerekeye akazi, aho umuntu arondera akazi, ubuzi bukunda gukena, n’umwuga wokwirikira muri Australiya) www.jobsearch.gov.au
- Australian Workplace (Ibijanye n’amategeko agenga ibibanza bakoreramwo muri Australiya) www.deewr.gov.au
- Trades Recognition Australia (impapuro z’ubumenyi mu vy’imyuga) www.deewr.gov.au/tra
- Ico bita Australian Skills Recognition Information (for recognition of overseas qualifications and skills) **www.immi.gov.au/asri**

Amakori muri Australiya

Muri Australiya, utanga ikori k’umahera ukuye mu kazi ukora, mur’udandazwa canke muyo uziganya.

Ibiro vy’Australiya vy’amakori (The Australian Taxation Office) bitoza amakori abantu basanzwe, abacuruza kugira barangure ibikorwa bihambaye vy’igihugu vyaba ibitaro, amashule, amabarabara canke amabarabara y’indarayi.

Amakori n’abantu

Nimba ukora, umukoresha wawe azogukata ikori atakubajije mu mushahara wawe n’ibindi bijanye. Mu mpera z’umwaka, uzotanga mu biro vy’amakori (Tax office) impapuro zerekeye amakori zerekana amahera wakoreye n’amakori bagukase k’umushahara. Urashobora kugabanirizwa amakori warishe werekanye ibintu warishe n’ivyo bita “tax offsets”.

Imbere yo gutangura gukora, utegerezwa gusaba inomero y’ikori (Tax File Number) (TFN) k’ubiro vy’ikori. Iyo TFN n’inomero yisangijwe ihabwa abantu n’amashirahamwe kugira batohoze neza kandi babishingure. Udafise iyo TFN, bazogukata amahera menshi y’ikori mu mushahara wawe. Ninkenerwa cane ko woshingura ahadata iyo TFN. Birashobora kukuzanira ingorane iyo wemereye uwundi gukoresha iyo TFN, iyo uyidandaje canke ukayitanga.

Amakori n’urudandazwa

Nimba utegekanije kudandaza muri Australiya, uzokenera ico bita TFN n’inomero y’urudandazwa y’Australiya (Australian Business Number). Urakenera kandi kwiyandikisha kuco bita “Goods and Services Tax (GST)” nimba urudandazwa rwawe rurenza amahera ashika AUD75,000 k’umwaka. Utegerezwa kuriha ikori ku mahera yo mu rudandazwa rwawe kandi hari naho wotanga ikori ku nyungu waronse iyo ugurishije urudandazwa rwawe canke ayandi matungo.

Amategeko ya Australiya ategekanya ko woziganiriza amahera kuri kompte ya pensiyo y’umukozi wese ukoresha kandi ugakata k’umushahara w’umukozi ikori hanyuma ukayarungika mu biro vy’amakori (Tax Office).

© COMMONWEALTH OF AUSTRALIA, 2011

Izindi nyigisho nshinshi

Kugira bafashe abacuruza n'abandi gutegera ibijanye n'amakori n'amabanga bajejwe, ibiro vy'amakori birafise uburyo bwinshi bwo gufasha. Mur'ivyo harimwo inyandiko zasohotse mu congereza, no mu zindi nyandiko zo mundimi zindi, ibikorane, inyigisho ziciye kuri internet n'uburyo bashobora gushika aho muri. Ibiro vy'amakori vyarasohoye i DVD utariha bita "Tax in Australia – what you need to know" (amakori muri Australiya-ivyo ukeneye kumenya) usanga ku DVD canke kuri internet. Iyo DVD "Tax in Australia" iratanga inyigisho zibayabaye ku makori, ku TFNs, ingene bamenyesha amakori atozwa n'ibindi nkivyo. Iraboneka mu ndimi 15 harimwo icongereza.

Mukeneye inyigisho z'indi:

Website: www.ato.gov.au

Telephone: 132 861 (muri Australiya)

E-mail: diversity@ato.gov.au

Ibisata bifasha kumenyereza abimuka

Ubushikiranganji bujejwe uruja n'uruza n'ubwenegihugu burafise ibisata vyinshi bishinzwe kwakira no kumenyereza abimuka bigenga n'abimuka k'ubuntu kugira bagire ico batererreye mu bandi banyagihugu ba Australiya mu bihe vya mbere bagishitse.

Porogarama yitwa 'Settlement Grants Program'

Porogarama yitwa "Settlement Grants Program" (SGP) yiyemeje gufasha abimuka n'impuzi barekuriwe kugira bashobore kwibako bitagoranye kandi bagire icobaterereye nk'abandi banyaAustraliya bose badatevye mu minsi ya mbere bagishika.

Ubushikiranganji bujejwe uruja n'uruza n'ubwenegihugu biciye mu porogarama yitwa "Settlement Grants Program" buraha amahera amashirahamwe ategamiye Leta, n'ibisata vya Leta kugira bafashe abanywanyi babo kumenyera n'ingonga ubuzima busha.

Urashobora kufashwa na Porogarama yitwa "Settlement Grants Program" nimba uri ntayegayezwa mu gihugu kandi ukaba umaze imyaka 5 ushitse muri Australiya waje uri:

- umwimuka yazanywe k'ubuntu
- umwimuka azananye n'umuryango ukaba ata congereza uvuga neza;
- uzanywe n'umwimuka aje k'ubuhinga bwiwe, ukaba atacongereza uvuga neza kandi washikiye mu ntara hagati canke ahameze nkaho.

Bamwe bamwe bafise uruhusha rwo kuba mu gihugu iminsi mike (abafise amaviza, hamwe n'abo bareze, bita "Prospective Marriage, Provisional Partner, Provisional Spouse and Provisional Interdependency") baba hagati mu gihugu n'izindi ntara nkizo kandi akaba ata congereza bavuga neza.

Porograme yitwa "Settlement Grants Program" bifasha kumenyereza abimuka birafasha kandi bikereka abimuka bakwije ivyangombwa aho bashobora kuronka uburaro, kuronka amarerero y'abana, kurondera akazi n'ukwandikisha abana mw'ishule.

Urashobora kuronka ibisata bimenyereza abimuka hafi yawe kuri **www.immi.gov.au/living-in-australia/settle-in-australia/find-help/where-to-help/**

Integuro y'ivyirwa vy'icongereza ku bantu bahumuye (Adult Migrant English Program)

Kwiga ururimi rw'icongereza n'intambwe ya mbere kandi ikomeye kuruta ibindi kubera ibafasha gutsimbatara mu buzima busha muri Australiya, hanyuma bakabona kurangura imigambi bifuza, yaba iyerekeye ubuzima bwabo, aho babaye canke iterambere ryabose. Hamwe woba ukwijije ivyangombwa integuro y'ivyirwa vy'icongereza ku bantu bahumuye (The Adult Migrant English Program) (AMEP) izobafasha kwiga icongereza kisanzwe mutarishekugira kibafashe kurangura imirimo ya minsi yose, mbere ibafashe n'ibijanye n'akazi rimwe na rimwe.

Nibasanga wemerewe mu mashule ya AMEP uzoronka amasaha ashika ku 510 y'ivyirwa vy'icongereza canke gushika umenye icongereza cogufasha kurangura imirimo idasanzwe, mur'ibi icoshika ubwambere. Nimba uri umwimuka k'ubuntu wagize ingorane mu buzima vyaba muvyerekeye guhohotezwa canke gutotezwa imbere y'uko uza muri Australiya, canke ukaba warigeze kuba ufise amashule abayabaye, urashobora kuronka amasaha menshi y'icongereza.

Utegerezwa kwiyandikisha mw'ishule ya AMEP mu karere kawe gashinzwe ivya AMEP mu kiringo c'amezi 6 ushitse muri Australiya canke uronse uburenganzira ntayegayezwa bwo kuba mu gihugu. Utegerezwa rero gutangura kwiga mu maguru masha mu gihe kitarenga umwaka, kandi ufise imyaka 5 kugira uheze ayo mashule. Iki gihe barashobora kucongera bivanye n'imvo zimwe zimwe.

Igisata AMEP gifise uburyo bwinshi bwo kwigisha icongereza. Ushobora kuja mu mashule aho biga iminsi yose, canke amashule biga iminsi imwimwe, n'amashule biga batavuye imuhira canke babifashijemwo n'umwalimu yigishiriza imuhira. Ufise umwana ataratangura ishule, urashobora kumusiga mw'irerero ry'abana utariha mu gihe uri mw'ishule.

Hamagara telefone babarizako y' Ubushikiranganji bujejwe uruja n'uruza n'ubwenegihugu inomero 131 881 canke urabe website ya AMEP ahakwirikira **www.immi.gov.au/living-in-australia/help-with-english/amep/** kugira umenye ko wo kwiga muri AMEP n'aho ushbora kwiyandikisha.

Igisata kijejwe guhindura indimi mu zindi (bita TIS National)

Mwifuza kuganira n'umuntu atavuga ururimi rwawe, "TIS National" irashobora kubaha umusiguzi amasaha 24 ku munsi, iminsi 7 mu ndwi. Urashobora guhamagara TIS National kuri 131 450. Igisata ca Leta, ibisata vy'amashirahamwe canke vy'amakominoti ukeneye kuvugisha birashobora guhamagara TIS National kw'izina ryawe.

TIS National iratangisha amafaranga iyo uyikoresheje, ariko, kenshi amahera y'ugusigura mu ndimi zindi arihwa n'ibiro vya Leta, amashirahamwe, n'ibisata vyerekeye amakominote muriko muraganira.

Hamwe woba ukeneye uwusigura mu rurimi rwawe iyo ugiye kwa muganga, urashobora gusaba uyo muganga ko bobonana na "TIS National" ku nomero zihutirwa za muganga bita "Doctor's Priority Line". Amafaramasi nayo arashobora kuvugana n'abasigura mu rurimi rwawe ku telephone kugira muvugane. Iki n'igikorwa batarihisha batera abaganga n'amafaramasi.

Igisata bita "TIS National" iraha kaze abimuka ntayegayezwa bo muri Australiya n'abafise amaviza ntayegayezwa bifuza gufasha mu gusigura mu ndimi zindi, bijanye n'amasezerano kugira bafashe abanyagihugu b'Australiya bavuga izindi ndimi atari icongereza. Ugasanga uvuga icongereza neza n'urundi rurimi woshobora gusaba kuba umusiguzi mu ndimi zindi akorana na "TIS National". Wifuza kumenya vyinshi egera umukozi bita TIS National Interpreter Liaison Officer kuri 1300 132 621.

Ushaka kumenya ibirenga kubijanye n'ibikorwa TIS National irangura ja kuri **www.immi.gov.au/tis**

Biremerewe kuhinduriza mu congereza impapuro zijanye no gufasha abimuka (akarorero impapuro z'amavuka canke z'ukubaka, impapuro zo kugendesha umuduga, n'izindi zerekeye akazi) ku bimuka batarashikana imyaka 2 muri Australiya canke bafise uruhusha ntayegayezwa bwo kuba mu gihugu. Iyi n'imfashanyo itangwa k'ubuntu. Mwifuza kumenya vyinshi ku vyerekeye guhinduza mu zindi ndimi muzobisanga ahakwirikira **www.immi.gov.au/living-in-australia/help-with-english/learn-english/client/translation_help.htm**

© COMMONWEALTH OF AUSTRALIA, 2011

Ibisata bijejwe icongereza vyo mu bushikiranganji bw'indero, akazi, n'imigenderanire y'ibibanza bakoreramwo (Department of Education, Employment and Workplace Relations)

Kwigisha icongereza, gusoma n'ukwiga kwandika n'imigambi nayo nyene yategekanijwe n'ubushikiranganji bw'indero, akazi n'imigenderanire y'ibibanza bakoreramwo (Department of Education, Employment and Workplace Relations (DEEWR) bwa Leta nkuru na Leta z'intara. DEEWR ifise uburyo bubiri bwerekeye ivy'akazi bwo kwigisha abarondera akazi (bari hagati y'imyaka 15 na 64) icongereza, gusoma n'ukwandika.

Uburyo bwa mbere ni porogaramu yo kwigisha icongereza, gusoma n'ukwandika (Language, Literacy and Numeracy Program) (LLNP) iha abarondera akazi amasaha 800 k'ubuntu ajanye n'ibiraba akazi mu kwiga icongereza, gusoma n'ukwandika. LLNP yishinze kwigisha abanywanyi icongereza, gusoma no kwandika kugira baronke akazi karama canke bashobore kubandanya amashule n'iyindi myimenyerezo y'akazi. Iyo porogarama kandi iratanga imyimenyerezo idasanzwe yo gufasha abanywanyi basa n'abibagiwe biciye mu myimenyerezo bita "Complementary Training". Bamwe mubarondera akazi bafise amavisa amwamwe ntibazoshobora kwemererwa muri iyi porogarama.

Uburyo bwa kabiri n'ubwo kwigisha icongereza, gusoma n'ukwandika mu bibanza abantu bakoreramwo (Workplace English Language and Literacy Program (WELL)) mu guha imfashanyo amashirahamwe ngo yigishe abakozi ba banya Australiyakuvuga icongereza, gusoma n'ukwandika kugira bibafashe gutorera umuti ibibazo bijanye n'ivyerekeye akazi canke ubuhinga bwo mukazi haba mugihe canone canke mu bihe bir'imbere.

Leta nkuru ya Australiya iraha imfashanyo Leta z'intara n'ibisata bijejwe indero bidakukira Leta kugira vyigishe icongereza abanyeshule baheruka kwimuka biga mu mashule y'intango no mu mashule yisumbuye biciye mu nteguro yitwa "English as a Second Language – New Arrivals (ESL–NA) Program". Iyo nteguro yishinze kunonosora ivyirwa vy'abanyeshule bashasha bavuye mu bihugu bitavuga ururimi rw'icongereza mu kwigisha bihanitse icongereza no mu kubamenyereza kuja mu yandi mashule asanzwe bitagoranye.

Abanyeshule bakwijije ivyangombwa bategekanijwe kuronka inyigisho zikomeye z'icongereza mugihe kitari munsi y'amezi 6 mu bisata bigishirizamwo icongereza canke mu mashule. Igisata cose gitegerezwa gushira mu ngiro uburyo bwo kwihweza vya nkenerwa vy'umunyeshule, porogaramu y'ivyirwa vy'icongereza arirwo rurimi rugira kabiri (ESL) n'ingene bazokwigisha ico cirwa gikomeye c'icongereza.

Ushaka kumenya ibirenga:

Website: www.deewr.gov.au
www.deewr.gov.au/skills/pages/default.aspx

Telefone : 1300 363 079

Ubwenegihugu bwa Australiya

Benshi mu bimuka ntayegayezwa bipfuza kuronka ubunyagihugu bagomba kuzuza ivyangombwa imbere yuko basaba ubunyagihugu. Muri ivyo bisabwa harimwo kuba umaze imyaka yagenywe muri Australiya, kandi ukaba wigenza neza. Iyo umaze gukwiza ivyo vyangombwa ushobora gusaba ngo ube umunyagihugu wa Australiya. Benshi mu basaba ubunyagihugu bwa Australiya basabwa gukora ikibazo c'ubunyagihugu.

Inyigisho zerekeye ubwenegihugu bwa Australiya, inyigisho zerekeye ingene uba mu gihugu, ibindi bisabwa n'impapuro buzuza mu kubusaba, ubisanga kuri website y'ubwenegihugu: **www.citizenship.gov.au** canke ugahamagara telefone yerekeye ubwenegihugu 131 880 iyo uhamagarira muri Australiya.

Izindi nyigisho canke impanuro

Birakeneye ko woba ufise kopi y'agatabo bita *Gutangura ubuzima bushasha muri Australiya*. Turaboneka mu congereza no mu ndimi z'amakominoti 37 kandi ugasanga aha kwirikira **www.immi.gov.au/living-in-australia/settle-in-australia/beginning-life/**

Inyigisho n'impanuro zerekeye ingene umwimuka amenyera mu gihugu ziraboneka mu biro vy'ubushikiranganji bujejwe uruja n'uruza n'ubwenegihugu muri Australiya no mu bindi bihugu. Ukeneye kumenya ibirenga aha woraba ahakwirikira:

Ubushikiranganji bujejwe uruja n'uruza n'ubwenegihugu
Telefone: 131 881 (uhamagara uri muri Australiya ku bibazo bisanzwe)
www.immi.gov.au

Ibibazo vyerekeye kwimukira muri Australiya
www.immi.gov.au/migrants/

Ibibazo vyerekeye ubuzima bwo muri Australiya
www.immi.gov.au/living-in-australia/

Urutonde rw'ico bita Immigration Offices overseas (ibiro vyo hanze bijejwe abimuka vy'Australiya)
www.immi.gov.au/contacts/overseas/

Igifasha kumenya aho wosanga Amashirahamwe afasha abimuka ("Settlement Services Locator")
www.immi.gov.au/living-in-australia/settle-in-australia/find-help/where-to-help/

Website y'ubunyagihugu
www.citizenship.gov.au

Ibindi bibazo birengeye aha

Ibisata bifasha abitabariza
(umuriro, Polisi, Ambilansi) – amasa 24
Telefone: 000

Ibisata bijejwe guhindura indimi mu zindi (TIS National)
Telefone: 131 450
www.immi.gov.au/tis/

Ibisata vya Leta ya Australiya bitanga inyigisho ku ntara zo hagati mu gihugu
Telefone: 1800 026 222
www.regionalaustralia.gov.au

Website y'ibiro vya Leta bijejwe kwihweza impapuro z'ubumenyi kubize hanze babimuka
www.immi.gov.au/asri

Ico bita "Trades Recognition Australia"
Telefone: 1300 360 992
www.deewr.gov.au/tra

Website ya Leta nkuru ya Australiya
www.australia.gov.au

Urupapuro rwambere rwa website **www.immi.gov.au**

Telefone yo kubaza ivyo wifuza Mwobariza kuri **131 881** mu masaha y'akazi muri Australiya kugira muvugane n'uwakira amatelefone (Inyuma y'amasaha y'akazi hari icuma kizofata amajwi yawe). Uri hanze ya Australiya vyiza woraba ambasade ya Australiya hafi yaho uba).

© COMMONWEALTH OF AUSTRALIA, 2011